# Ifishe y 'ikoreshwa ry 'amababi ya mukobwandagowe mu kugwanya impfunya y'ibigori

**Ubushikiranganji bw'Uburimyi, Ubworozi n'Ibidukikije**


## 1. Impfunya

**Intambwe z'ubuzima bw'Impfunya** *:* Impfunya ni urunyo rw'ikinyugunyugu, yona mw'ijoro, bayita spodoptera frugiperda.

Ico kinyugunyugu gita amagi ku ruhande rwo munsi rw'amababi y'ibigori canke y'ibindi binyantete. Impfunya zikiva mu magi, zica zitangura kuharagata zihereye aho amagi yari, hanyuma zigakura ziciye ku ntambwe zitandatu. Ku ntambwe ya gatatu, izo mpfunya zirashobora kurekura utunyuzi zireretako, bigatuma umuyaga uzishwiragiriza ku bindi biterwa zishobora kwona. Ziraheza zikerekeza ku mababi yo mu kanwa atarizingurura (aho zibandanya kwona). Impfunya ziheza gukura mu kiringo kiri hagati y'iminsi 4 na 22 mu mezi haba hari ubushuhe (ku rugero rwa °C 28).

**Ibimenyetso** : Impfunya ziraharagata amababi agasigara afise uduce tubonerana canke agatobagurika. Imyanda yazo iribonekeza ku mababi yo mu kanwa acizinze.

**Uko zonona :** Ibiterwa vyafashwe bikiri bito cane (hakiri kare) bironoonekara rwose kugeza n'aho urugero rw'umwimbu rugabanuka ku bice birenga 50 kw'ijana.




*Ishusho 1: Impfunya : Intambwe z'ubuzima (A), Urunyo rw'impfyunya ku biringo bitandukanye (B) Uko zonona (C). (Source : FAO and CABI)*

## 2. Kurwanya impfunya hakoreshejwe umuti uhinguwe mu mababi ya mukobwandagowe

**Uko ukora :** Umuti uhinguwe mu mababi ya mukobwandagowe ugabanya akayabagu k'impfunya bigatuma zitagwira.

**Urugero mfatiro kugira batangure kuvura :** Isukira ry'umuti ryotangura mu gihe hibonekeje ibiterwa biri hagati ya 5 na 10 vyafashwe. Igendurwa ry'umurima w'ibigori ritegerezwa kuba kuva bikimera kugira ntucererwe kubivura.



***Ishusho 2:****Amababi ya mukobwandagowe bakoresha mu gutegura umuti*

**3. Itegurwa n'ikoreshwa ry'umuti uva mu mababi ya mukobwandagowe**

- Kwaha no gusekura amababi ya mukobwandagowe ata mazi wongeyemwo mw'isekuro kugeza aho umutobe utangura kwimiminura ;
- Gupima ibiro 3 vy'inkambi ya mukobwandagowe ukabishira mu ma litiro15 y'amazi ;
- Rekera mu mazi izo nkambi wasekuye mu kiringo c'amasaha 12 kugira umutobe wimininuriremwo. Uko umwanya uhaca amazi agenda arahinduka agasa n'ugwatsi rutoto ;
- Kanyura inkambi kugira uheraheze gukuramwo umutobe, hanyuma mimina n'agatambara ka nilo k'amaso matomato canke n'akayungiro k'ipompo ;
- Sukira ku mababi y'ibigori yo mu kanwa. Iryo sukira rikorwa ku mugoroba, kubera ko impfunya zona cane mw'ijoro ;
- Isubirize gupompa inyuma y'iminsi iri hagati ya 7 na 10 kandi ubikore n'imiburiburi incuro 4 kubera uwo muti utituka ningoga.

**Menya neza:**

- Gupompa ku mugoroba nivyo vyiza,kubera impfunya zona cane cane mw'ijoro ;
- Ntimupompe imvura igira igwe kubera umuti uca uvako ;
- Umuti uteguwe baca bawukoresha ubwo nyene.



*Kwaha amababi akiri matoto ya mukobwandagowe*



*Sekura neza amababi ya mukobwandagowe ata mazi wongeyemwo mw'isekuro kugeza aho umutobe utangura kwimiminura*



*Vanga wongere urekere izo nkambi mu mazi ikiringo c'amasaha 12*



*Minina umutobe ukoresheje akayungiro canke igitambara ca nilo vy'amaso matomato cane*



*Sukira buno nyene umuti ku mababi yo mu kanwa*

***Menya neza:*** *Kurikiza ivyavuzwe ku rupapuro rwa mbere*

**Ishusho 3 :** Intambwe z'itegurwa ry'umuti w'impfunya y'ibigori uva mu mababi ya mukobwandagowe